
# Isuzumwa rifasha mu Gutangura Neza Ishure ryo Kwimenyererezamwo (Ishuri y' Ibidudu)

## Indōngōzi igenewe Abavyeyi n'abarezi

**Isuzumwa rifasha mu Gutangura Neza Ishure ryo Kwimenyererezamwo ni isuzumwa rikorwa mu ntara yose, rigafasha abigisha kumenya ubushobozi bw'umwana wese mu gusoma n'úguhárūra Mucongereza imbere yo gutangura Ishure ryo Kwimenyererezamwo.**




Abana batāngura ishure báfise, imbere y'igihe, ubuhinga bwo gusoma no guhárūra, ugutahura n'ubumenyi vyagutse vyubatswe muri bo kubwo imigenderanire hagati yabo n'isi hamwe n'abantu babakikuje. Isuzumwa ryo Gutangura Neza Ishure ryo Kwimenyererezamwo rigizwe n'urufatane rw'utubazo twerekeye gusoma n'úguhárūra; bifasha abigisha kumenya inkomezi n'ubukene vy'umunyeshure uwo ari we wese.

Iryo suzumwa rifasha abigisha gutunganya urutonde rw'inyigisho zishimikiye ku vyo abanyeshure bazi. Abigisha bazokwicarana n'umunyeshure umwe-umwe ukwiwe, bagashimikira ku vyo ashoboye. Umwana wawe ntakeneye kwitegurira canke kwigira iryo suzumwa. Kubera ko abana biga ku mivuduko itandukanye, ntibikenewe ko uhagarikwa umutima n'uko umwana wawe atazoba yashoboye kwishura ibibazo vyose.

Imisi mike inyuma y'isuzumwa, abigisha bazoguha icegeranyo c'ubuhinga, ubumenyi n'ugutahura umwana wawe yerekanye mu gihe c'isuzumwa.

Isuzumwa ryo Gutangura Neza Ishure ryo Kwimenyererezamwo rigenewe abana bose. Asangwa Icongereza atari rwo rurimi rwawe kavukire, canke umwana wawe agakenera ugufashwa, hamagara kw'ishure ryawe uronswe amakuru y'ingene umwana wawe yofashwa.

## Isuzumwa ryerekeye Ugusoma

Udukorwa two gusoma twateguwe mu kumenya ko abanyeshure bashobora kwandika amazina yabo, bazi imvugo, indome n'amajambo rusangi, kandi ko bokwibuka ibiri mu gatabu basomerwa.

Mu gihe c'isuzumwa ryerekeye ugusoma, umwigisha azobaza umwana wawe ibibazo nk'ibi:

- Umviriza aya majambo: map, tap. Hari irindi jambo uzi rivugwa gutyo?
- (Inyuma y'ugusoma agatabu kagufi) 'Wombwira ibivugwa mu nkuru mpejeje kugusomera?'

Ivyo bibazo bifasha abigisha kumenya ko umwana wawe ashoboye kumenya amajambo avugwa kumwe kandi ko yibuka inkuru iva mu gatabu kagufi yasomewe. Ubu ni bwo buhinga buhambaye bwo gusoma abana bazotsimbataza mu mwaka wa mbere bari kw'Ishure.

## Isuzumwa Rishingiye ku kumenya Guhárūra

Udukorwa two guhárūra dushimikiye ku bumenyi bwa mbere bwerekeye ibihaburo, kandi dutegurwa mu ntumbero yo kumenya ubuhinga bw'umunyeshure mu guhárūra, ibiharuro azí, ko ashoboye guhárūra ibintu, akongereza kandi agakuramwo ibiharuro bitobito; kandi akamenya ivyó gusubiramwo.

Mw'isuzumwa ry'úguhárūra, umwigisha azobaza umwana wawe ibibazo nk'ibi:

- 'Tangura guhárūra uhereye kuri rimwe, ndakubwira aho uhereza'
- 'Kino gihárūro wombwira ico ari co?' (5)

Ivyo bibazo bizofasha abigisha kumenya ko umwana wawe amenya ibiharuro, kandi ko azi guhárūra kuva kuri kimwe kubandanya. Ubwo ni buhinga buhambaye bwerekeye uguhárūra abana bazokwigishwa mu mwaka wa mbere kw'Ishure.

**Ukeneye ayandi makuru yerekeye Isuzumwa ryo Gutangura Neza Ishure ryo Kwimenyererezamwo, hamagara kw'Isure Umwana wawe yigako.**

Asangwa ukeneye Umusobanuzi, Hamagara ku Mvugirakure y'Ivyerekeye Abasóbānurandími, ku Nomero 131 450. Barashobora kukuronsa umusobanuzi mu rurimi rwawe ngo agufashe mu kiganiro wogiríranira n'abo kw'ishure. Ntuzorihishwa kubwo ubwo bufashwa.